Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°817 15 Ruheshi 2024

# Imyaka 20 irarumanye abanyeshule katolika biga mu makaminuza bahimbaza indwi y'abahariwe



Foto: Mélance Ndayikeze

Bamwe mu banyeshule katolika biga mu makaminuza ku musi wo kwugurura indwi yabahariwe

Ku ncuro igira 20, umuryango Katolika w'abanyeshule biga mu makaminuza atandukanye ari mu gisagara ca Bujumbura warateguye indwi yahariwe umunyeshule katolika yiga muri kaminuza. Ni kuva ku w'Imana igenekerezo rya 10 gushika ku wa 17 Rusama 2024.

Iyo ndwi idasanzwe k'umunyeshule katolika yiga muri kaminuza yugururiwe mu nzu y'ama-

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Itangazo risozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Ruheshi 2024

Kuva kw'igenekerezo rya 3 gushika ku rya 7 Ruheshi 2024, Abepiskopi b'Ekleziya Gatolika y'i Burundi barakoraniye hamwe mu nama yabo isanzwe yo mu kwezi kwa Ruheshi. Iyo nama yabereye i Bujumbura ku Cicaro cayo kiri i Kiriri.

1. Nk'uko bisanzwe, igisabisho nico bahereyeko, hanyuma Umwepiskopi aronoye inama aca ashikiriza ijambo ryo kwugurura ibikorwa. Intumwa ya papa mu Burundi niyo yahawe ijambo ubwa mbere.

Yaboneyeho gushikiriza Abepiskopi ubutumwa barungikiwe na Papa bujanye n'iyo nama barimwo.

Papa yarabamenyesheje ko ari hafi yabo kandi abasabira.

Papa asaba abepiskopi, abasaserdoti n'abihebeyimana kubera aandi akarorero keza, mu kugendera umuvukano hamwe n'urukundo, mu majmbo yabo n'inyifato zabo, batange umuganda utsimbataza mu kwubaka igihugu kirangwa n'ubumwe n'u-gusubiza hamwe.

2. Abungere barashimira Imana ku vyiza vyinshi igihugu cayo cagabanye mu bihe bitandukanye

Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Kubera iki ukwezi kwa Rusama....6
o Imyaka 20 irarumanye abanyeshule katorika biga mu makaminuza bahimbaza indwi y'abahariwe....7
o Inkingi, amahangiro ya kazoza n'ico imbonakazoza yipfuza....8
o Uburongozi bwiza....9

# Umunsi w'Imana ugira 11: Abamaratiri b'i Buganda

## Igisomwa ca mbere: 2 Abamakabe 7,1-2.9-14

Ivyo dusoma mu gitabu ca kabiri c'Abamakabe :

«*Ha kurenga ku mabwirizwa ya ba Sokuru, twopfuma dupfa*»

Umusi umwe, abavukana indwi bafatwa kumwe na nyina wabo; umwami Antiyokusi yashaka kubahatira ku nyama z'ingurube itegeko ribuza, abagomorerako ababakubita inkoni n'ibiboko.

Umwe muri bo arabaserukira ati: «Mbe ushaka kutubaza iki? Ha kurenga ku mabwirizwa ya ba data, twopfuma dupfa.»

Uwa kabiri na we, mu gihe yariko aracikana, avuga ati: «Wa mugesera we, udukuye muri ubu buzima bw'ubu, yamara Umwami w'isi azotuzurira ubuzima budahera, kuko dupfiriye amategeko yiwe.»

Hanyuma y'uwo bafata uwa gatatu, bamwica nabi. Buno nyene asokorora ururimi nk'uko babimutegetse, atarika amaboko adatinya, aca avugana ubutwari ati: «Ijuru ni ryo ryampaye izi ngingo z'umubiri, mugabo kubera amategeko yaryo ndazirenza amaso, kandi ni ryo nizigiye ko rizozinsubiza.»

Umwami na we nyene n'abagendanyi biwe bagwa mu gahundwe kubera ubutwari bw'uyo musore yaraba nk'ubusa ivyo kubabara.

Igihe uno amariye gupfa, bazana uwa kane bamugira nk'aba mbere. Bugingo ari mu gucikana, avuga ati: «Wopfuma wicwa n'abantu, iyo wizigiye ko Imana ari yo izokuzura; ariko wewe ntuzokwigera ugabana izuka ry'ubuzima budahera.»

## Igisomwa ca kabiri: Abanyaroma: 8,31b-39

Ivyo dusoma mw'Ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma:

«*Ntakizoshobora kudukura ku rukundo rw'Imana rwamenyeshejwe muri Kristu Yezu, Umukama wacu*»

Ncuti zanje, ko Imana isanzwe iturwanira, ni nde yoturwanya? Ko itimanye umwana wayo bwite, ariko ko yamuduhebeye twese, icoyitesha noneho kutugabira ibisigaye vyose kuri uno Mwana, ni iki?

Ni nde azokwagiriza abatowe n'Imana? Mbega, Imana si Yo ibagira intungane? Ni nde azobacira urwo gutsindwa? Mbega, ni Yezu Kristu, kandi ari We yapfuye agaheza akazuka, akaba kandi ari We yicaye iburyo bw'Imana akatwambariza?

Ni nde azodukura ku rukundo rwa Kristu? Mbe, ni amarushwa canke ni amaganya, ni uruhamo canke ni inzara, ni ukubura ico twambara canke ni amakuba canke ni inkota?

Nkako handitswe ngo: «Twirirwa turicwa bakaduhora, noneho twari tumeze nk'intama z'imbagwa.» Ariko muri vyose, turatsinda kubera uwadukunze.

Egome, ndavyemeye ntakekereza: nta rupfu, nta buzima, nta n'abamarayika canke intwaramiheto zo mw'ijuru, nta n'ibiriho canke ibizoza, nta n'ibifise ububasha canke ibiri mu kirere canke ibiri mu kuzimu, nta n'ikiremwa na kimwe kizoshobora kudukura ku rukundo rw'Imana rwamenyeshejwe muri Kristu Yezu, Umukama wacu.

## Inkuru nziza : Matayo : 5,1-12a

**Alleluya! Alleluya!**

*Hahiriwe abari n'umutima ushima ubworo:*
*kuko Ubwami bw'ijuru ari ubwabo.*

**Alleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Matayo :

«*Muranezerwe muhimbarwe, kuko impera yanyu izoba nini mw'ijuru*»

Yezu abonye ishengero rikoranye, aduga ku gasozi; ngo amare kwicara, abigishwa biwe baramwegera. Araheza atangura kuvuga, abigisha muri aya majambo:

«Hahiriwe abari n'umutima ushima ubworo, kuko Ubwami bw'ijuru ari ubwabo.
Hahiriwe abitonda, kuko bazotorana isi.
Hahiriwe abari mu marira, kuko bazohozwa.
Hahiriwe abashonje n'abanyotewe ubutungane, kuko bazoshira ipfa.
Hahiriwe abanyakigongwe, kuko na bo bazokigirirwa.
Hahiriwe abari n'umutima mwiza, kuko bazobona Imana.
Hahiriwe abaremesha amahoro, kuko bazokwitwa abana b'Imana.
Hahiriwe abahamwa bahorwa ubutungane, kuko Ubwami bw'ijuru ari ubwabo.

Muzoba muhiriwe nibabatuka, bakabazigiriza, bakabaremera amabi yose muhorwa jewe, babesha. Muranezerwe muhimbarwe, kuko impera yanyu izoba nini mw'ijuru.»

# Itangazo risozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Ruheshi 2024

*(Bitangurira ku rup.1*

no mu migirwa myinshi.

Ukwemera kw'abakristu kwarateye imbere, abungere nabo baruzura akanyamuneza.

Aho twodondagura ihimbazwa ry'iminsi mikuru ya Noheli, n'ugusozera umwaka w' 2023, uguhimbaza umunsi mpuzamakungu w'ubuzima bwihevyi, iminsi mikuru ya Pasika na Pentekoti, amafungo ya Pasika yaritabwe ku bwinshi, amanama y'ukunagura n'uguherekeza ubusaserdoti yararinganijwe hafi mu madiyiseze ka yose.

3. Iruhande y'ivyo bihimbaye, n'ububabare ntibwabuzekuko hari abasaserdoti n'abihebeyimana bitavye Imana, muri aya mezi: nko muri Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, muri Diyoseze nkuru ya Gitega no muri Diyoseze ya Ngozi.

Abungere barongeye baramenyesha ko bariko baritegurira iminsi mikuru y'iyatirwa mw'ibanga ry'ubusaserdoti mu madiyoseze iwacu.

Amayubile nayo azohimbazwa muri rino ci si make:

* Hari nka Yubile y'imyaka 75 ya Diyoseze ya Ngozi,

* Hari Yubile y'imyaka 125 ya Paruwase Mugera,

*Hari Yubile y'imyaka 100 ya Paruwase Rusengo n'izindi.

3. Ku vyerekeye ubuzima bw'igihugu, Abungere barashima ko umutekano uhari muri rusangi.

Ariko barababajwe n'ibiheruka kubera mu gisagara ca Bujumbura, aho abantu batari bake bakomeretse bivuye ku nkozi z'ikibi zateye abenegihugu batekanye, zikabasukamwo ibisasu ntezwa-ntoke.

N'ubu barasubiye gukebura n'ugutera akamo abantu bose, ko ubuzima bw'umuntu ari katihabwa, ata mvo n'imwe iriho yo kuzimanganya ubwo buzima.

4. Inyuma y'ayo makuru yose y'ubuzima bw'amadiyoseze, Intumwa ya Papa yaciye ishikiriza nayo amakuru yerekeye Ekleziya yose n'ubutumwa bwiwe.

5. Abepiskopi bahejeje guhanahana ayo makuru, baciye bihweza kimwe kimwe mu vyari bitegekanijwe.

**1) Ubwa mbere twobaho dute hano iwacu nk'abasangira-rugendo kubw'ukwizigira kuva aho duhimbarije Yubile y'imyaka 125 tumenyeshejwe Inkuru nziza no mu mwiteguro wo guhimbaza icese Yubile y'imyaka 2025 y'Ixungurwa ryacu?**

Abungere bararonse akaryo ko gusubira gutereza amaso inyuma, barashima ivyiza Imana yagabiye Ekleziya y'i Burundi, muri iyi myaka 125 imaze, basanga n'ibimenyetso vyuzuye ukwizigira.

Ariko n'ibibazo ntibibuze mu bisata bitari bike : haba mu vyerekeye imibano, mu vyerekeye ubutunzi, mu vyerekeye politike, mu vyerekeye imigenzo n'ubutumwa.

Ikete Ndanga-ntumbero rya Papa Fransisko ryrerekeye Yubile y'isi yose mu mwaka w'2025 rije hageze kuko rishimikiye ku kwizigira, nako kukaba kudahemuka.

Bisunze rero umuco bahabwa n'iryo kete, Abepiskopi bararabiye hamwe ibikuru bikuru vyoringanizwa muri uwo mwaka wa Yubile y'Ekleziya nzima.

Indinganizo hamwe n'ibisabisho vy'iyo Yubile, muzobishikirizwa mu minsi iri imbere n'Abungere banyu.

**2) Imigwi y'abakristu bitegurira kuzoba imiryango y'abihebeyimana.**

Ubuzima bwihevyi ni imwe mu ngabirabo twaronse muri iyi myaka 125 iheze Inkuru nziza isamirijwe mu Burundi. Imiryango myinshi y'abihebeyimana yaravutse ; kandi n'iyindi ibandanya ivuka.

Abungere bamaze kwihweza bijanye n'imiryango igitangura, babonye ko kubafise iciyumviro co gutanguza, bobafasha kwisunga amategeko y'Ekleziya, bagakurikiza intambwe zose zitegekanijwe gushika umuryango nyezina wemererwe.

Ingingo zose zikenewe zizofatwa kugira ngo iyo miryango ishobore gutera imbere neza ; kandi ukuba mweranda nk'uko Data wo mw'ijuru ari mweranda, ntibigenewe umugwi umwe, bigenewe abigishwa bose ba Yezu Kristu.

**3) Umutigiri w'abigeme b'Imana ni iyindi ngabirano Ekleziya y'i Burundi yaronse muri iyi myaka 125 imaze tumenyeshejwe Inkuru nziza.**

Abungere bamaze guhanahana ijambo, bakabona ingene uyo mutigiri watanguye mu burundi n'ingene wifashe ubu, brabonye ko abigeme batari bake bariko barawirukira.

Naho abigeme bamwe bibaza ko ubwo buzima bwororshe kuruta ahandi, Abungere bo babona ko butoroshe namba.

Ni co gituma bagiye gutomora neza ibiwerekeye bizofatirwako mu kwakira abasaba kuwinjiramwo, ikiringo co kwitegurira ubwo buzima uko kizongana, ingene uwo mwigeme ayegekanya kubaho muri kazoza.

*Ibik. urup.12*

# Ku ncuro ya mbere muri Ekleziya, ihwaniro mpuzamkungu w'abana

(Bitangurira ku rup.1



Ku wa 25 na 26 Rusama 2024, ku ncuro ya mbere i Roma, Nyenubweranda Papa Fransisiko yaruguruye ihwaniro mpuzamakungu y'abana ku c'ivugo : « Tugire vyose bishasha ».Abana bari hagati y'imyaka 6 na 12 bashika ku bihumbi mirongo itanu (50000) baserukiye ibihugu 101 cane cane ibiri mu ntambara n'ubundi bukene nibo bari bitavye iryo hwaniro.

Ico ciyumviro Papa yakigize ahuye n'abana bashika ku bihumbi umunani (8000) mu nzu y'amanama yitiriwe Paul VI ku wa 6 Munyonyo 2023. Papa abona ko bikenewe kw'abana bitwararikwa muri Ekleziya no mu bihugu.

Arakabona kandi ko kazoza kari mu bana. Ku wa 8 Kigarama 2023 aca aramenyesha ko hagiye kuzokwama haba ihwaniro mpuzamakungu ry'abana mu ntumbero yo gutsimbataza ukwemera n'amahoro ; amenyesha ko ihwaniro rya mbere rizoba ku wa 25 na 26 Rusama 2024.

Ku wa 25 Rusama, ibikorwa vy'uwo munsi vy'uguruwe n'urugendo abana bagize ku kibuga c'inkino kiri ku murwa mukuru w'Ubutariyano. Imbere y'umutaga,uwo munsi ukaba waranzwe n'inkino hamwe n'indirimbo yahagiza uwo munsi bati : « Turi akanyamuneza, turi kazoza, turi ubuzima, turi ikimenyetso c'urukundo…. »

Inyuma y'umutaga niho bakira Nyenubweranda. Mw'ijambo yabashikirije rihuye nuko bangana, Papa yabanje kubamenyesha ko bakoraniye kuri ico kibuga c'inkino ngo bugurure ihwaniro ry'abana bashaka kubaka isi y'amahoro aho twese tuvukana, isi ifise kazoza kuko dushaka kubungabunga ibidukikije.

Ati : « bibondo, Ekleziya umuvyeyi irabakiriye kandi irabaherekeza mu mutima wayo w'impuhwe na kivyeyi. »

Ati ndazi ko mubabajwe n'indwano. Bose n'ijwi rirenga bishurira rimwe bati : « Ego ». Ati indwano ni ikintu ciza, bose bati « oya » ati amahoro ni ikintu ciza ? Bose bati: « Ego » ivyo bikaragaza ko abana baruhijwe n'indwano.

Papa yabandanije abereka igishobora kubatera ishavu ati : « ni ukubera abana benshi barushe kubera intambara, abana bangana namwe batagiye kw'ishule kubera intambara. Abaremesha abemerera ko abasabira ijoro n'umutaga ati: « Nanje uko ni ukuri ntwaye ku mutima kandi nama ndabasabira ».

Yaciye ahamagarira abo bana gusabira bagenzi babo badashobora kuja kw'ishule, abana barembejwe n'intambara, abana batagira ico barya hamwe n'abana barwaye ntibaronke ingene bivuza.

Yabandanije afasha abo bana kuguma basubiramwo icivugo cuwo munsi. Abahamagarira gutera baja imbere, kugira akanyamuneza kuko ari umuti w'imitima ; abamenyesha kandi ko Yezu abakunda nkuko abivuga mu nkuru nziza. Papa yaciye yakira ibibazo vy'abana baserukiye abandi.

Muri ivyo bibazo, barabajije ko : amahoro yoba ashoboka, ico abana boterera ngo isi imere neza, ukungana kw'abantu n'intererano boha ababaye hamwe n'igitangaro Papa yohitamwo ngo abana bose baje kw'ishule, baronke ivyo bakeneye ngo babeho, bafungure, bakine ….

Papa yaciye abatumirira kugira agacerere karimwo igisabisho ngo basabire abana bagowe ; imbere yo kurorera urukino rw'abana rwaciye rukurikira rwaheraheje uyo munsi.

Ku wa 26 Rusama 2024, abana bakoraniye ku kibanza citiriwe Petero Mweranda i Roma ngo bahereze inkuka y'imisa yiryo hwaniro rya mbere ry'abana, n'umunsi mukuru w'Ubutatu Bweranda.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, Papa Fransisiko yarafashije abana gutegera umwe umwe mu ba Peresona bagize Ubutatu Bweranda ; igikorwa c'umwe umwe wese mu majambo ahuye nuko bangana.

Ko Data ariwe yaturemye, ko Mwana ariwe yaducunguye, ko Mutima aduherekeza mu buzima bwa misi yose. Mu guheraheza, yamenyesheje abo bana ko dufise n'umuvyeyi Bikira Mariya ari mw'ijuru.

Abatumirira n'ukuvuga igisabisho ca Mwaramutse Mariya no gusabira abavyeyi babo, abasokuru n'abanyokuru babo n' abana barwaye. Abasaba cane cane gusabira amahoro isi yose. Inyuma y'inkuka ya misa yabatumye kuzomuramukiriza abavyeyi,incuti n'abagenzi.

Tubamenyeshe ko na Ekleziya y'Uburundi yari yaserukiwe n'abana bagiye muri iryo hwaniro.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

# Imbonakazoza, intumbero hamwe n'uko vyifashe mu Burundi, igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060

***I.1 Imbonakazoza y'Uburundi, Igihugu cifashe mu mwaka w'-2040, n'i-gihugu giteye imbere mu mwaka w'2060.***

Mu nzira y'iterambere, ukuba igihugu cifashe ni intambwe ikomeye, bisubiye, imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe idondorwa uku gukurikira: « Mu mwaka w'2040, Uburundi buzoba ari igihugu gisazagayemwo amahoro n'amahonda, aho umuntu wese aba mu buzima bwiza, aho ata muntu yicwa n'indwara yokingiwe canke yovuwe, haboneka ubutunzi bushingiye ku bisata vy'uburimyi n'ubworozi hamwe n'igisata c'amahinguriro, yongera akanovera k'ivyimburwa no gucukura ubutare ku nyungu z'igihugu na beneco; vyose hamwe, mu kubungabunga ibidukikije hamwe no kwitaho ibijanye n'uburinganire bw'ibitsina ».

Ugutunganya iyo mbonakazoza y'umwaka w'-i 2040 bizotuma Uburundi buba igihugu aho umwe wese afungura neza, aho bose bafise uburaro bwiza, aho umwana wese aronswa indero y'akanovera, aho umuntu wese akuze afise akazi keza, kandi aho inzego zo gutegekaniriza kazoza abakozi zitunganijwe neza.

Ubutunzi bw'Uburundi buzoshigikirwa n'inyubako nziza hamwe n'igisata c'amahinguriro y'ibivuye mu burimyi n'ubworozi gihagaze neza haba hagati mu gihugu canke hanze y'igihugu, igisata c'ubutare bucukuwe kandi butanga umwimbu, hamwe n'igisata c'ibikorwa bitandukanye, bizana umusaruro kandi bigezweho.

Uburundi buzoba igihugu gikingira kikaduza agaciro k'ibikorwa ndangakaranga, ubutandukane rw'ibidukikije, kandi kironsa bose amahirwe angana.

***I.2. Intumbero y'imbonakazoza.***

Nk'ishusho y'iterambere na kazoza kitezwe k'Uburundi, imbonakazoza y'Uburundi, igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060, i¬se intumbero ikurikira «guteza imbere ukubaho neza kw'abantu no kugabanya ubusumbasumbane hagati yabo».

Muri iyo nzira irora kw'iterambere, intumbero y'imbonakazoza ni kugira Uburundi buba igihugu giteye imbere bivuye kw'iyongerekana ry'umwimbu w'ibintu n'akazi, hamwe n'ihinduka ry'inyubako, uko bitunganijwe bigatuma abantu bongereza icizere co kubaho, ugutorera inyishu ivya nkenerwa nyamukuru mu buzima bw'umuntu, ukugabanya ubusumbasumbane, ubushomeri n'ubukene ubwo ari bwo bwose.

Mu ntumbero yo gushikira iterambere rirama, iyi mbonakazoza izokwisungwa mu gutunganya imigambi mikuru mikuru, yongere ironse intumbero y'ibikorwa vy'iterambere bigana intumbero yitezwe mu gukoresha uburyo butuma abantu bagira ubuzima bwiza gusumba, biturutse ku bikorwa vyerekeye gukingira ibidukikije, kwitaho ibibazo bijanye n'uburinganire bw'ibitsina.

***I.3. Inyubako n'ifatiro ry'iterambere.***

Indoto yo guhindura Uburundi «igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060» igaragaza ubushake bwa Reta y'Uburundi bwo kubungabunga ukubaho neza kw'abenegihugu biciye mu mugambi ushingiye mu «nzira y'ubushake» bw'iterambere.

Barongowe bagakurikiranwa na Reta, abo biraba bose (abikorera utwabo, amashirahamwe, inzego z'intwaro yegereye abenegihugu, n'ibindi) bazohamagarirwa guteza imbere uburyo nyabwo bushobora gushikana kure inkurikizi z'imigambi iganisha kw'iterambere ry'abenegihugu bose rirama, kandi ridakumira.

Mu gushira Uburundi muri iyo nzira nshasha, iyi mbonakazoza yo kuba igihugu cifashe n'igihugu giteye imbere izoba ishingiye ku «bwoko bw'iterambere bushingiye ku bikorwa vya Reta, gutegura no guhuza inguvu zerekeye uguhindura inyubako, iterambere ry'igisata c'abikorera utwabo no gukoresha ubushobozi bwose bw'igihugu mu vy'ubutunzi.»

***I.4. Uko vyifashe mu bijanye n'imbonakazoza***

Indoto yo guhindura Uburundi «igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060», igaragaza ko Reta y'Uburundi yiyemeje gutera intege igisata c'ubutunzi n'inzego z'igihugu mu Burundi, no gukora ibishoboka vyose vyotuma hiyongera umwimbu mu bisata vyose vy'igihugu kugira bitume haba impinduka iboneka mu kubaho kw'abenegihugu.

Ibi na vyo bigaragaza ubushake buhari n'uburyo bwo gushimangira uko ibintu bikorwa mu gisata c'ubutunzi ku rwego rw'igihugu, hamwe n'iterambere mu butunzi biciye mu gushora imitahe ikenewe mu bisata vy'imibano.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Kubera iki ukwezi kwa Rusama kwitiririrwa Bikira Mariya

Ukwezi kwa Rusama kwatanguye kwitiririrwa Umuvyeyi Bikira Mariya kuva mu kinjana ca 13. Mu bihugu vya Buraya, ukwo kwezi guhurirana n'igihe c'iremba, aho amashurwe asambura, imisozi igashaza.

Nk'uko vyandikwa n'ikinyamakuru Katorika RCF co mu Bufaransa, ngo Umwami Alphonse w'icumi (Alphonse X Le Sage) niwe yagereranije ubwa mbere mu cese ciwe ko ubwiza bwa Bikira Mariya busa n'amshurwe y'iroza ashuritse yo mu gihe c'iremba.

Mu nyuma, abihebeye Imana b'Abadominikano n'Abafransiskano mu Bufaransa babandanije bagereranya ubwiza bwa Bikira Mariya n'amashurwe atotahaye.

Mu gihugu c'Ubudagi, iyo nyigisho yashikanyweyo na Furera Henri Suso umudominikano. Uwo mufurera niwe yamenyereje abantu gushariza amashusho ya Bikira Mariya hamwe n'amasanamu guhera mu ntango z'ukwezi kwa gatanu hakoreshejwe amashurwe. Amasabamana y'ukwezi kwa



Philippe Neri Mweranda

gatanu yagiye gushinga imizi muri Ekleziya i Roma guhera mu kinjana ca XVI.

Umweranda Philippe Neri, uwatanguje umuryango w'abahangamana, niwe yatanguje uwo mugirwa w'ibisabisho birora kuri Bikira Mariya akavyigisha abana bo muri paruwase yiwe. Bakoraniye muri Paruwase Chiesa Nova, abana baza bazanye amashurwe y'igihe c'ire-mba (les fleurs du printemps) bakayashira ku ruhimbi baba bubakiye ishusho ya Bikira Mariya.

Insiguro y'ayo mashurwe, baba basha-ka kwerekana ko ingeso nziza rukristu zitegere-zwa kwamuza mu buzima bwabo nk'amashurwe y'iremba.

Uwo mugirwa rero cari ikimenyetso co kwicisha bugufi n'ingingo yo kwitagatifuza ku musi ku musi mu kwezi kwa gatanu.

### *Umwaka w'1815 ni ntibagirwa*

Mu 1785 niho umupatiri w'umujezwiti Alfonso Muzzarelli yashira ahabona igitabu «Rusama, ukwezi kwa Bikira Mariya ».

Muri ico gitabu yerekanye ingeso nziza za Bikira Mariya twozirikana ku musi ku musi mu kwezi kwose kwa Rusama. Ico gitabu carakunzwe cane gushika aho gihindurwa mu ndimi nyinshi mbere kirashika n'i Vatikano ku murwa mukru wa Ekleziya.

Kubera inyigisho nkora mutima zari muri ico gitabu, Papa Piyo w'VII yaciye afata ingingo, mu mwaka wa 1815 yuko muri Ekleziya yose ukwezi kwa gatanu guhariwe gushemeza Bikira Mariya.

Yatanguye gutanga imisi 300 y'indulujensiya kuri abo bose bazoha icubahiro ayo masabo, hanyuma atanga indulujensiya ya rwose mu 1822.


Mu nyuma, abandi baPapa barashimangiye iyo ngingo kandi ntibahengeshanya gusaba abakristu kwambaza Nyina w'Imana cane cane basaba amahoro.

### *Amashurwe mu gushemeza Umuveyi Bikira Mariya*

Kuva ico gihe, abakristu baciye batangura imigirwa itandukanye mu kwezi kwa Bikira Mariya. Iyo migirwa yashimikira ku mwete wo gukomeza gusenga no gutegura ibisabisho bavyerekeza kuri Bikira Mariya mu kwezi kwamuhariwe. Abakristu baragize inyota nyinshi yo kuvuga Rozari ubudahengeshanya bazirikana ivyibukiro biyigize mu gukoresha ishapule.

Patiri Philippe Chérel yarigeze kuvuga ati : «Mu kuzirikana ivyibukiro vy'ishapule ni bwo buryo bubereye kandi buciye bugufi bwo kwakira Kristu i wawe ».

Abakristu barubakira uruhimbi Bikira Mariya mu mihana i wabo mu kumuha icubahiro, bakazana amashurwe hanyu-



ma bagasengera hamwe. Abandi bafata ukwo kwezi nk'akaryo ko guterura amaneveneni (urunani rw'ibisabisho vy'imisi icenda kugira ngo bitegurire imisi mikuru ya Ekleziya.

Mu kwezi kwa gatanu, izo neveni zirategurwa mu ntango y'ukwezi mu ntumbero yo guhimbaza umusi mukuru wa Bikira Mariya Umugabekazi w'i Fatima uhimbazwa ku wa 13 Rusama uko umwaka utashe.

Zirashobora no gutegurwa mu mpera z'u-kwezi mu kwitegurira guhimbaza umusi mukuru w'iramukanya rya Bikira Mariya uhimbazwa ku wa 31 Rusama.

Mwomenya ko naho ukwezi kwa Rusama kwitirwa Bikira Mariya, imisi mikuru ikomeye irora kuri we tuyisanga mu yandi mezi. Ni nk'ukwezi kwa Myandagaro aho duhimbaza iyurizwa mw'ijuru ryiwe, n'ukwezi kwa Munyonyo aho duhimbaza isamwa atagicumuro ryiwe.

**Mélance NDAYIKEZE**

# Imyaka 20 irarumanye abanyeshule katorika biga mu makaminuza bahimbaza indwi y'abahariwe

nama y'ishule ryisumbuye rya Nyakabiga ku w'Imana w'igenekerezo rya 10 Rusama.

Abanyeshule bavuye mu mihingo itandukanye y'igisagara ca Bujumbura bitabanye akanyamuneza kenshi ibirori vyo kwugurura iyo ndwi vyari bigizwe n'utugenegene dutandukanye, inyigisho hamwe n'inkuka ya misa yo kwugurura iyo ndwi.

Patiri Janvier Nizigiyimana arongoye ubutumwa bw'abalayike muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura akaba n'umwibutsamana mu makaminuza, yaribukije abo banyeshule ko urukundo ruheta vyose.

Yisunze umusi mukuru w'Umushaha Mweranda wa Yezu wari uramutse uhimbazwa uwo musi, Patiri Janvier yabwiye abanyeshule bari bakoraniye aho ati: « Si ibitito ni ivy'ukuri: Imana yarakunze abantu urutagira ingero. Tubizirikana duhereye kwihweza ingene Imana yagendanye n'igihugu cayo Israeli mu ntege nke zaco, gushika aho mu nyuma irungika Umwana wayo Yezu Kristu. nawe yaritanze gushika adupfire ku musaraba, ari naho urwo rukundo rw'Imana na Yezu vyagaragaye ku buryo bw'agahebuza.»

Ahereye ngaho, patiri Janvier, umwibutsamana w'abo banyeshule yabasavye nabo gukundana no kugira ubumwe budacika hagati yabo. Kugira ngo babi-shobore kandi bakingirwe, uwo musaserdoti yabasavye kwinjira mu Mushaha Mweranda wa Yezu we soko ry'urukundo nyarwo n'ivyiza vyose umuntu akeneye.

## Ihangiro ry'iyo nteguro ni irihe?

Nkuko bivugwa na Patiri Arcade Nitunga afashanya ubutumwa na Patiri Janvier Nizigiyimana, ngo kuva mu ntango y'itegurwa ry'iyo ndwi yahariwe umushule Katolika yiga Kaminuza intumbero nyamukuru yari iyo kwegeraniriza mu bumwe abanyeshule biga mu makaminuza atandukanye. Ati: «Mu ntango y'itegurwa ry'izi ndwi mu myaka y'2003, abanyeshule biga mu makaminuza ya Reta n'abanyeshule biga mu makaminuza yigenga ntibarabana neza.



Foto: Mélance Ndayikeze

*Bamwe mu banyeshule katolika biga mu makaminuza ku musi wo kwugurura indwi yabahariwe*

Abiga mu makaminuza ya reta babonako hari ibintu vyinshi barushije abiga muz'abigenga, bigatuma haba kwinubana.»

Ubu, urwo ruhome hagati y'abasangiye ukwemera ngo rwarabomotse kandi ntaruzogaruka. Bishingirwa intahe na Clément Niyonkuru asukurira muri kino gihe uwo muryango Katolika w'abiga muri Kaminuza. Ati: «Ubu nta kuvuga ngo hari abiga kaminuza yigenga canke ya Reta. Twese twunze ubumwe.»

Ivyo ngo bigaragarira mw'itunganywa ry'ubutumwa. Niyonkuru ati: « Iyo hatowe uwiga mu makaminuza yigenga, abari mu makaminuza y'igihugu baramuyoboka. Niyo hatowe umusuku muri kaminuza y'igihugu, biba nkuko nyene.»

Umwizero wiwe, ngo n'uko ugufatana mu nda kwibonekeza muri kino gihe hagati y'abanyeshule biga mu makaminuza ari ikimenyetso ciza muri kazoza ka Ekleziya n'igihugu cacu. Na patiri Alcade Nitunga yunganira mu butumwa

Tubamenyeshe ko kuva indwi yahariwe umushule Katolika yiga muri kaminuza itangura gutegurwa yama irangwa n'inyigisho zitangirwa mu bigo bitandukanye vy'amakaminuza, ibikorwa vy'urukundo, inkino no gusangirira hamwe ku musi wo gusozera.

Muri uno mwaka, akabirya ni uko hateguwe inkuka ya misa irimwo n'ibisabisho vyo gusabira abarwaye n'abafise iyindi mitwaro.



Foto: Mélance Ndayikeze

*Patiri Janvier Nizigiyimana arongoye ubutumwa bw'abarayike muri diyoseze nkuru ya Bujumbura*

**Mélance NDAYIKEZE**

# Inkingi, amahangiro ya kazoza n'ico imbonakazoza yipfuza

II.1. Inkingi

Bakoresheje «Inzira y'ubushake » bw'iterambere n'inguvu zidasanzwe Reta ishira mu guhuza ibikorwa, abo biraba bose bategerezwa gukorera mu runani kugira bashike ku vyitezwe kuri iyi mbonakazoza ishingiye ku nkingi zitanu.

*II.2. Amahangiro ya kazoza n'ivyo iterambere ry'uburundi ryipfuza gushikako*

Uburundi kugira bube igihugu cifashe mu mwaka w'2040 bizoca mu kurangura amahangiro 22 ya kazoza. Nk'isoko ry'iterambere no kurongora neza imigambi-mfatiro ku rwego rw'igihugu kugira habe ugutera intege iterambere mu butunzi n'imibano mu Burundi, imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 ifise ihangiro nyamukuru ryo kuduza umwimbu w'ivyimburwa n'ibikorwa, kugabanya no kurandurana n'imizi ubusumbasumbane ubwo ari bwo bwose no guteza imbere ku buryo bubonekа ukubaho neza kw'Abarundi biciye mu kurangura amahangiro mirongo ibiri n'abiri (22) ashingiye ku nkingi zitanu (5).

Ihangiro rya 1

***Kwongereza ubushobozi bw'inzego z'igihugu***

Ubushobozi bw'inzego za Reta ni ikintu gikomeye cane co kwitondera kugira igihugu gishike kw'iterambere.

Muri iyo ntumbero nyene, kwongereza ubushobozi ni co Uburundi bubwirizwa guherako ku buryo budasanzwe, imbere y'ibindi vyose bitegekanywa mu ntumbero yo gushika ku mbonakazoza y'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060.

Iki ni ikintu gikomeye kibwirizwa kuva mu nzira kubera ko inzego za Reta n'ubushobozi bwazo ari vyo bitandukanya igihugu n'ikindi mu bijanye n'ivyo bino bihugu bishikako, hamwe n'ivyo vyipfuza gushikako mu bijanye no gutunganya itunga rusangi rihari, ariko rigereranye ugereranije n'urugero rurerure rw'abarihanze amaso (mu kibano).

Kubera ivyo, ubushobozi bw'inzego z'igihugu ni umushinge nyawo wo kudondora neza no gushira mu ngiro imigambi ngenderwako, burongera bugasobanura ibihari canke ibibura ariko bikenewe mu ntumbero yo gushika ku mahangiro nyamukuru y'iterambere ry'igihugu.

Ni ngombwa rero ko umuntu abanza gukomeza ubushobozi bw'inzego z'ubutungane n'izo umutekano, mu ntumbero yo gutanga intumbero irashe y'uko ibintu bikorwa muri izo nzego.

Hanyuma, ni ukwongereza ubumenyi n'ubushobozi bw'abakozi bakaronswa ibikoresho vy'ubuhinga bwa none bujanye n'umurindi wo kwongereza akanovera k'ibikorwa mu gisata c'-ubutungane.

Mu gusozera, birakenewe ko hatezwa imbere mu bakozi agatima ko kwumva ko hari ico bitezweko kandi babazwa, kwongereza umurindi w'uko imanza ziburanishwa mu butungane hamwe no ku-duza urugero w'ubunyamwuga mu bakozi b'urwego rw'umutekano, vyose mu ntumbero yo kwongereza icizere Leta ifise imbere mu gihugu n'imbere y'abo dufashanya mu bikorwa vy'iterambere, kubungabunga no gukingira ibikorwa bizana umwimbu, ukuzana imitahe mu gihugu, no gushira mu ngiro umugambi ngenderwako udasiga umwenegihugu n'umwe inyuma.

Kugira abarongozi b'inkerebutsi mu vya poritike no muri Reta ni nkenerwa mw'irangurwa ry'ibikorwa bishikana igihugu kw'iterambere «ingendo yo gutera imbere, Reta iteza imbere».

Ni ikintu gikomeye kubera ko kiraba ibibazo nyamukuru vy'umutekano w'abenegihugu, ibintu bifise inkurikizi ku bwizigirwa abagwizatunga bo mu gihugu canke b'abanyamahanga bagirira Reta bafatiye k'uko boroherezwa mu bikorwa vyabo, uko cibonekeza nk'igihugu kigengwa n'amategeko, ukworohereza abanyamitahe mu kubaha uturusho kugira igihugu c'Uburundi kibandanye gikwegakwega abanyamitahe, uburenganzira buhabwa umwenegihugu bwo gushikiriza ivyiyumviro vyiwe ataco yinona, ko imice yose y'abenegihugu iserukirwa mu vya poritike, tutibagiye no guteza imbere inyubako y'ubuhinga bwo kwegeranya ibiharuro-mfatiro.

Gutorera inyishu ikibazo gikomeye muri ibi, ahanini ni uguha agaciro igikorwa co gushinga inyubako y'intwaro ibereye iterambere, ishoboye koko kuronsa abenegihugu ibintu n'ibikorwa bakeneye bikwiye kandi vy'akanovera kandi bijanye neza na neza n'ivyo basaba.

Ku bijanye n'urwego nshingwantwaro, ni vyiza ko haba ukwegereza ubutegetsi abenegihugu ku buryo umwe wese amenya ivyo ajejwe, aho ububasha bwiwe buhera n'aho bugarukira iyo hageze gufata ingingo, guteza imbere ingendo y'uko ivyo ukora bigira ico bivamwo hamwe no gusununura umwimbu w'ibikorwa n'abakozi bo mu ntwaro.

Ibi na vyo bisaba ko abajejwe intwaro bongererezwa ubumenyi, mu kugwiza inyigisho bahabwa bari ku kivi bijanye n'ivyo intwaro iba ikeneye, guteza imbere ingendo yo gukoresha ubuhinga

*Biracaza*

***Ndongozi y'Uburundi***

# Uburongozi bwiza *(Ibikurikira)*

Ako karorero k'uburongozi katumye aberwa bose n'igisata c'indero barangura borohewe imirimo bajejwe.



Foto: Chanel HARINGANJI

Ivyigwa vyakoze muri ico gihugu vyerekana ko mbere ishure ubwaryo bivanye n'igihagararo rifise, ingene ritunganijwe neza, ingene riyobowe neza, bifasha abanyeshure kwiga neza, n'ishure rigatera imbere kubera ubwo burongozi bwiza. Bigatuma n'abandi barihurumbira kugira na bo bahakure ivyo vyiza bituruka ku burongozi bwiza.

Amashure arimwo umubano mwiza hagati y'umuyobozi, abigisha, abarerwa n'abandi begwa n'ibijanye n'indero, bahujwe n'ihangiro rimwe, ni ingwati y'umwimbu mwiza. Umurongozi mwiza akoresheje neza uburongozi bwiza atuma haba umwumvikano n'ukurondorera hamwe ivyiyumviro bishasha biteza imbere ishure.

Twokwibukanya ko uburongozi bwiza mu mashure butaraba umuyobozi gusa, buraba abigisha, abarerwa hamwe n'abo bose barabwa n'ivy'indero kw'ishure. Ariko iteka n'ibanga umuyobozi yatorewe ararigumana nk'uwurihagarariye azwi n'amategeko y'Igihugu.

**Ibiranga umurongozi mwiza**

*Umurongozi mwiza arangwa n'ibi bikurikira:*

- Gushira ineza y'ishure imbere: umuyobozi mwiza ashira ineza y'ishure imbere kuruta iyiwe kugira ngo ishure ribe ruramuriramakungu.

Ivyo kandi biraba abo bafashanya muri iryo banga. Bisaba umutima w'ukwitanga n'ukurengera inyungu z'umwumwe.

- Imico myiza: iyo umurongozi afise imico myiza abandi baramwizigira, bagaca bakora ibikorwa babikunze, badacungana ku jisho kuko baba bazi ko atariko arabakoresha nk'ikiraro kimushikana ku nyungu ziwe.

Igihe cose rero umurongozi afise imico mibi, bituma uburongozi bwiwe buba bubi ku bo arongoye bose canke ku gice kimwe c'abo arongoye. Ugasanga kw'ishure hari abamwiyuvamwo kubera ivyo bahuriyeko canke kubera ivyo abaha n'ivyo bamuzigako.

Umuyobozi w'ishure ahamagariwe kwama asuzuma kamere yiwe ikamurikirwa n'umuco w'Ijambo ry'Imana kugira ntakore ibintu uko avyumva, ariko abikore yisunze amategeko n'umuco w'uburongozi bwiza.

- Urukundo rudacagura: niurukundo rudacagura rumwe Yezu Kristu atwigisha. Ibi bigaragarira mu vyiza abipfuriza, bipfunyapfunyirijwe mu mbonakazoza. Ariko kandi, ugukunda abantu birabonekera mu ngeso z'umurongozi mu buzima bwiwe bwa misi yose mu kibano.

Igihe cose umurongozi w'ishure akunze bamwe mu bo arongoye akanka abandi, bituma abigisha n'abandi bacanamwo, bakicamwo imirwi itemerana. Abamushigikiye kuko abakunda baja ku ruhande rumwe, abo adakunda nabo bakaja ku rundi ruhande.

Ivyo bica bija no mu banyeshure bigatuma badashobora kugira intumbero imwe (imbonakazoza) kandi ari wo mushinge w'uburongozi bwiza.

Turetse ico, iyo mirwi ishobora gushamirana no gukoreranira ikibi. None hari uwokwitega umwimbu mwiza kw'ishure nk'iryo?

- Umurongozi afise imbonakazoza nziza: iyo mbonakazoza itegerezwa kuba yerekeye abo arongoye bose, kandi akayibamenyesha kugirango bumve ico abashakira, ntabatume ivyo bakora badatahura igituma bariko barabikora.

Umurongozi adafitiye abo arongoye imbonakazoza nziza, abatesha umwanya, bagakora ibikorwa batazi iyo bibajana. Kenshi, aba afise inyungu ziwe atumbereye, ariko akazihisha abo arongoye kugirango ntibamwiyamirize.

- Umurongozi ahimbarwa ko haboneka abandi barongozi ntagume ari wenyene. Umurongozi mwiza, ni uwushima ko abarongozi baba benshi, naho vyotuma icubahiro ciwe kigabanuka. Ineza ya bose ifise agaciro kurusha izina ryiwe.

- Kwumviriza abandi: kwumviriza abandi mu gutegura imigambi iteza imbere ishure ni ngombwa.

Naho umuyobozi yoba ari incabwenge gute yama akeneye ivyiyumviro vy'abandi nk'uko twabivuze mu ntango. No mu Kirundi tugira tuti: «Umutwe umwe ntiwigira inama » kandi ngo « Tubiri tuvurana ubupfu».

*Biracaza*

**Patiri Sylvestre BARAMPAMA**
*arangurira ubutumwa mu gisata c'Ubutungane n'amahoro muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura*

# Umunsi mpuzamakungu wahariwe umwana w'umunyafrika

**1. Amamuko y'uwo munsi.**

Umunsi mpuzamakungu wahariwe umwana wo muri Afrika urahimbazwa kw'igenekerezo rya 16 ruhenshi uko umwaka utashe mu bihugu bitandukanye vyo kw' isi.

Ku vyerekeye amamuko y'uwo musi, watanguye guhimbazwa mu mwaka w'1991, ushinzwe n'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika.

Nk'uko tubisanga mu rwandiko rw'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika rwashizwe ahabona mu kwezi kwa ruhuhuma uyu mwaka wa 2024 (note conceptuelle pour la journée de l'enfant africain 2024), uyo munsi uhimbazwa mu ntumbero yo kwibuka abana isinzi b'abirabure, bagandaguriwe mu gisagara ca Soweto mu gihugu ca Afrika y'epfo, hari mu 1976.

Abo bana bagandaguwe bariko baharanira uburenganzira bwabo mu bijanye n'inyigisho mu mashure.

Muri ico gihe, hari intwaro y'abazungu bita intwaro ya karyanishamiryango, aho abana b'abirabure batashirwa ku rugero rumwe n'abana b'abazungu mu mateka abaranga cane cane ku bijanye n'inyigisho mu mashure, kandi izo nyigisho zigatangwa mu rurimi rutari kavukire.

Inyigisho zahabwa abana b'abirabure, zaragaragaza neza ko ataco zizobamarira mu buzima bwabo.

Ni ho rero abo bana b'abirabure, bamaze gutegera ako karenganyo bariko bagirirwa mu kwakwa ubwo burenganzira, bihereza amabarabara baharanira agateka kabo.

Batumwe n'abari ku butegetsi muri ico gihe, abajejwe umutekano baciye babiraramwo barabashwiragiza bikomeye hakoreshejwe ibirwanisho bicira umuriro. Muri iyo nyifato igayitse, abana 176 baciye bitaba Imana, abashika 1135 barakomereka bikomeye.

Uru rwandiko rubandanya ruvuga ko intumbero nyamukuru y'ihimbazwa ry'uwo munsi, ari ukwibuka abo bana bahitanywe n'iyo nyifato igayitse.

Kuri iryo genekerezo, ibihugu vya Afrika ndetse n'ivyo kw'isi nzima, biribukanya ko bitegerezwa gushira mu bitabo vy'amategeko abigenga kimwe kimwe cose kubicerekeye, ingingo ziha inyigisho abana, gurtyo babategurire kazoza.

Ni n'akaryo ko guhimiriza ko abana bose bangana mu burenganzira n'agateka bategerezwa guhabwa, nk'uko tubisanga mu mategeko mpuzamakungu n'amategeko y'Igihugu kimwe kimwe ukwaco n'Uburundi butibagiwe.

Mu mategeko mpuzamakungu atandukanye, hari hasanzwemwo ingingo zishimangira ubwo burenganzira bw'abana bwo kuronswa inyigisho, nk'uko abo bana babuharaniye, na cane cane ingingo za 26, 28 na 29 z'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.

Ingingo ya 26 y'iryo tangazo ivuga ko, umwana wese akwiye kuronka inyigisho ataco atanze, cane cane inyigisho z'intango.

Inyigisho zerekeye ubuhinga n'imyuga zitegerezwa gukwizwa hose, inyigisho zo mu mashure yisumbuye zitegerezwa guhabwa ababishoboye bose, ata nkunzi.

Ihangiro y'inyigisho ni uko zina muntu ashikira iterambere nyakuri, akubahirizwa mu gateka kiwe. Zitegerezwa kandi gufasha gusasagaza umwumvikano mu makungu, mu madini, hamwe no kubungabunga amahoro kw'isi. Abavyeyi ni bo bategerezwa kwitorera indero abana bakwiye kuronka.

No mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, turasangamwo ingingo zishimangira ubwo burenganzira bw'abana bwo kuronswa inyigisho.

Ingingo ya 28 yayo ivuga ko ibihugu vyemeje ayo masezerano, biba vyemeye ko umwana wese ategerezwa kuja mw'ishure kugira ishirwa mu ngiro ry'agateka k'abana rigume ritera imbere ata n'umwe akumiriwe.

<u>**Agace a**</u> k'iyo ngingo kavuga ko ibihugu vyiyemeje gushinga ko inyigisho zo mu mashure y'intango ziba itegeko kuri bose kandi ku buntu.

<u>**Agace b**</u> na ko kavuga ko ibihugu vyiyemeje gutera intege inyigisho z'amashure yisumbuye, yaba ayasanzwe canke ay'imyuga, bikongera bikorohereza uwo wese ashaka kuyajamwo, kandi bigafata ingingo zorohereza abana mu kutarihisha inyigisho, no gutanga imfashanyo y'amafaranga mu gihe bikenewe.

Ingingo ya 29 irerekana intumbero inyigisho zitegerezwa kugira, kugira ngo umwana aronke ubumenyi buzomufasha kugira ico yimariye mu buzima bwa kazoza.

*Izo nyigisho rero zitegerezwa :*

- Kworohereza iterambere ry'umwana mu ngabirano n'ubushobozi vyiwe.

- Kwigisha umwana gusonera agateka n'ubwigenge vya zina muntu.

- Kwigisha umwana gusonera abavyeyi, akaranga kiwe, ururimi rwiwe, imigenzo n'imico kama, kubaha imigenzo y'igihugu kimuhaye indaro, igihugu c'amavukiro hamwe n'imico itandukanye n'iyiwe.

Ibikur. urup. 11

# Umunsi mpuzamakungu wahariwe umwana w'umunyafrika

(Bitangurira ku rup.10)

- Gutegura umwana kugira akurane umutima wo kuringaniza ivyerekeye ubuzima bwiwe mu mwidegemvyo n'umwumvikano n'abandi, mu mahoro, mu kwihanganiranira ata gukumirana, mu gukomeza ubugenzi hagati y'abantu badasangiye ubwoko, igihugu n'amadini.

- Kwigisha umwana gusonera ibidukikije.

Mu ntumbero yo gutuma ibiharuro vy'abana biga vyisununura, amasezerano ya Afrika y'agateka no kubaho neza kw'abana avuga mu ngingo ya 11 ko, inyigisho mu mashure y'intango zotangwa ku buntu, iza kaminuza na zo zigahabwa abana bose babishoboye kandi babifitiye ubumenyi bukwiye.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano, biha ububasha abavyeyi b'abana canke abari mu kibanza c'abavyeyi, bwo kwitorera bo nyene amashure bashiramwo abana babo bivanye n'uburyo bafise".

Iyi ngingo irongerako ko ayo mashure ategerezwa kuba afise mu nteguro z'inyigisho atanga, inyigisho zituma umwana atera imbere mu bwenge, mu nyifato, mu migenzo, mu gukunda abandi hamwe no mu gukunda igihugu camwibarutse.

Tubamenyeshe ko icivugo c'uwo munsi muri



uyu mwaka wa 2024 ari "igihe ni iki kugira abana bose bo muri Afrika baronswe inyigisho"

Uyu musi mpuzamakungu wahariwe umwana wo muri Afrika, ntuhimbazwa ku rwego mpuzamakungu gusa, no mu Burundi urahimbazwa.

Ihimbazwa ry'uwo musi rero, kaba akaryo keza ko kwirimbura, kugira ngo igihugu kirabe intabwe kimaze gutera mu kwubahiriza uburenganzira bw'umwana, cane cane ubwo kuronswa inyigisho kuko ni bwo bwaharaniwe igihe uyo musi washingwa.

**2. Ingene amategeko mu Burundi ategekanya uburenganzira bw'abana bwo kuronswa inyigisho bwaharaniwe n'abana bo muri Afrika y'epfo.**

Mukwubahiriza uburenganzira bw'abana bwo kuronswa inyigisho atawukumiriwe nk'uko abana bo muri Afrika y'epfo babuharaniye gushika n'aho basesa amaraso yabo, Uburundi bwarashize mu mategeko n' amabwirizwa bukoresha, ingingo zerekana ko abana bubahirijwe mu burenganzira bwabo bwo kuronswa inyigisho mu mashure.

Uburorero ni bwinshi:

Mw'Ibwirizwa Nshingiro ingingo ya 53 ivuga ko, abana bose bafise uburenganzira bungana bwo guhabwa inyigisho, indero no kubaho hisunzwe imico kama, n'akaranga k'igihugu ciwe. Reta itegerezwa gutunganya inyigisho mu mashure yayo, ikanorohereza abakeneye kuyajamwo.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko naho biri uko, n'uburenganzira bwo gushinga amashure y'abigenga, buremewe hisunzwe amabwirizwa y'Igihugu.

Ikindi tutodeha cerekana ko Reta y'Uburundi yubahiriza bishimishije uburenganzira ku mwana bwo kuronka inyigisho mu mashure ni uko kuva mu mwaka w'2005, Igihugu c'Uburundi cafashe ingingo yo kwigisha abana bo mu mashure y'intango ku buntu.

Kuronsa abana inyigisho z'akanovera kandi zizogira ico zibamariye mu buzima bwo muri kazoza kandi ata n'umwe akumiriwe, si abarongozi bonyene bategerezwa kubigiramwo uruhara.

N'abavyeyi babwirizwa guterera agacumu k'ubumwe mu kwereka abana akamaro k'ishure, kubandikisha hageze ko batangura ishure, kubagurira ibikoresho vy'ishure hamwe n'ivyo vyose vya nkenerwa kugira ngo abana bashobore kuronswa inyigisho ata ntambamyi.

Mu gusozera, twomenyako icivugo c' umusi mpuzamakungu wahariwe umwana wo muri Afrika muri uyu mwaka wa 2024, gishimikira cane ku burenganzira bwo kuronswa inyigisho, kuko ubumenyi ni yo nki-ngi y'iterambere rirama, kandi ni bwo bushikana umwana kuri kazoza keza.

Ni naco gituma haba ku rwego mpuzamakungu canke ku rwego rw'Uburundi, haciye hashingwa amategeko n'amabwirizwa yerekana ingene ubwo burenganzira bw'abana bwo kuronswa inyigisho buheza bukubahirizwa.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*




## Duhimbaze Yubile mu kwama dushimisha Imana n’igihugu cayo, dufashijwe n’Umuvyeyi w’Impuhwe, Umuvunyi wacu

Havyarimana Anicet, umwe mu batanguje uyo mugwi w’abaririmbiramana, avuga ati: «Chorale des Jeunes de la Mère Miséricordieuse» kuri Paruwase yitiriwe Mikaeli mwerand y’i Bujumbura, ati: «Iyo Chorale yatanguye umwaka w’1999. Yaje gufasha gusenga no kuririmba mu nkuka ya misa ya kabiri aha kuri Mikaeli mweranda, kuko ata wundi mugwi wari uhari wofasha abakristu gusenga. Ati: nari kumwe na Emery Patrick yari asanzwe ari ingendanyi, Nina, Pacifique, Furera Gaston. Muti, mu ntango vyari vyifashe gute? Patirir Simoni Ruragaragaza yari afise ingabirano yo kuririmba. Yaragaza agasoma imisa akongera akaririmba. Niho natwe twaza gufasha, kandi nta n’abantu benshi baza mu misa, abakristu baba bari mw’isengero bari imparurwa. Mu gisabisho co kuninahaza Imana twagirira mu Bwiza kw’ibarabara rya kabiri, niho twafatiye ingingo yo kuza gufasha kuririrmba muri iyo misa  ya kabiri. nuko rero chorale ica iba iratanguye, aho hari mu 1999.

# Itangazo risozera Inama y’Abepiskopi Gatolika b’i Burundi yo muri Ruheshi 2024

*(Bitangurira ku rup.3*

**4) Itegeko rigenga abasaserdoti barangurira ubutumwa mu bigo mpuzamadiyoseze.**

Inama y’Abepiskopi Gatolika mu Burundi, mu kurangura ubutumwa buyega, iratuma abasaserdoti bava mu madiyoseze y’igihugu cacu.

Kubera hibonekeza cane itandukaniro mu bifasha kurangura ubutumwa bajejwe, bivanye n’ibikorwa bakora naho babikorera, Abepiskopi barihweje bongera baremeza itegeko rizogenga abo basaserdoti (batumwa aho baburangurira hose.

Iryo tegeko rirererkana neza ivyo iyo nama y’Abepiskopi izotunganiriza umupatiri arangura ubutumwa yamushinze n’ivyo diyoseza avukamwo izobandanya imutu-nganiriza.

**5) Uruhara rw’Ekleziya mw’itunganywa ry’amatora n’ikurikiranwa ry’ikiringo cayo.**

Kubera ko ikiringo c’amatora ari ikiringo gihambaye mu buzima bw’igihugu, inama y’Abepiskopi Katolika b’i Burundi, ibicishije mu Gisata cayo gishinzwe Ubutungane n’amahoro, yarongeye kwiyemeza ubutumwa bwayo bwo guherekeza ico kiringo c’amatora kuva mw’itegurwa, ishirwa mu ngiro n’inyuma yayo.

Naho ibibazo bitabuze, Abepiskopi barahimbawe n’uko urugendo rw’ayo matora ruza rwaratanguye.

Abepiskopi basozereye inama yabo bavugana utuntu n’utundi twerekeye ubuzima n’ubutumwa bw’Ekleziya.

Bigiriwe i Bujumbura ku wa 7 Ruheshi 2024

Kubw’Inama y’Abepiskopi Gatolika b’i Burundi
Musenyeri Bonaventura NAHIMANA

Umukuru w’Inama y’Abepiskopi Gatolika
b’i Burundi

***Ndongozi y’Uburundi***